KIDS GOD WORSHIP
www.kidworship.kr

# Yosefu I (Inzozi za Yosefu)

- 12th Story -


79Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yakobo yari afise abahungu cumi na babiri , ariko muri bo yakunda cane umuhungu agira cumi na rimwe, Yosefu. Yakobo yama amushoneshereza umwambaro muremure wa maboko, utandukanye n'uwa bandi benewabo, bituma benewabo bamugirira ishari baheraho kumwanka. |


80Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yosefu yarakunda kurota kenshi. Umusi umwe ararota abibwira bakuruwe. |
| Yosefu | Bavukanyi banje, narose imikama yanyu ikikuje uwanje iwunamira hama ndota izuba ukwezi n'inyenyeri cumi n'imwe zinyunamira. |
| Umuvukanyi 1 | Uvuze ko uturuta twese? Ntiwubaha ! |
| Yakobo | Vyoshoboka gute ko jewe na nyoko hamwe na bakuru bawe twokunamira. Ntuzongere kuvuga ivyo! |
| Uwuvuga | Bene se bumvise izo ndoto barushiriza kumwanka. Se aramukankamira ariko agumiza indoto za Yosefu muri we. |


81Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umusi umwe Yakobo arungika Yosefu kuraba iyo bakuru n'amasho biri. |
| Umuvukanyi 1 | Nga kariya karosi karaje reka tukice tugate muri kimwe muri ibi binogo vy'amazi. |
| Reyubeni | Reka ntitumwice nta kamaro ko gusesa amaraso, nimuze tumute muri ico kinogo. |
| Uwuvuga | Naho bakuru we bashaka kumwica ntibabikoze kubera Reyubeni. Ahubwo bamwambuye za mpuzu ziwe hama bamuta mu kinogo c'amazi. Yosefu asengasenga bakuru biwe ko bomukurayo ariko baramwihoza. |
| Umuvukanyi 1 | Reka ntitumutware ubuzima, reka dupfume tumugurisha kuri uriya muntu ariko araza. |
| Umuvukanyi 2 | Reka tubikore uko nyene. |




82Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Bakuru ba Yosefu bamudandaza intete mirongibiri z'ifeza ku badandaza baba nya Midiyani bari bagiye muri Egiputa. Hanyuma bahitana imyambaro yiwe, bakerera impfizi y'intama bazisiga amaraso hanyuma bazirungikira se. |
| Umuvukanyi 1 | Igikoko c'inkazi caramuriye Yosefu. |
| Yakobo | Iki? Yosefu yarapfuye? Uri mu kuri? |
| Umuvukanyi 2 | Ego dawe...raba twatoye impuzu ziwe gusa... |
| Yakobo | Oya~~~~ Yosefu!!! Mbega ngiye kubaho gute utahari!!! Yosefu!!!!!! |




83Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yosefu yajanywe nk'inyagano muri Egiputa hanyuma agurishwa kuba umuja wa Potifari, umugabisha w'abarinzi ba Farawo. Mu nyuma Potifari amuzeza ivyo mu rugo rwiwe rwose kuko yamubonye k'ubutwari n'ubwira. Ariko Yosefu adenderezwa na muka Potifari. |
| Muka Potifari | (Arira adashikana afyeneza). Mushingantahe wanje. Yanshinyaguriye. Ndakwinginze umuhane! |
| Potifari | Iki? Yatwerutse kungayira umugore!<br>Barinzi nimumute mw'ibohero ubunyene! |
| Uwuvuga | Potifari yumvira ibinyoma vy'umugore wiwe, ata Yosefu mw'ibohero ahari imbohe z'umwami. |



84Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Naho Yosefu yandenderejwe ntawo yigeze yidogera. Inyuma y'igihe umukevyi hamwe n'umusuku ba Farawo bapfungirwa aho Yosefu yari abohewe. Umusi umwe abo bagabo bose bavyuka bijiriwe cane. |
| Yosefu | Kuki mwijiriwe cane?" |
| Umusuku | Nagize inzozi zidasiguritse. Ndi umukuru w'abakevyi b'umwami hanyuma mu ndoto mbona igiti c'umuzabibu ufise amashami atatu. Uko casagarara, cama amashugwe hanyuma akeramwo inzabibu. Nabira za nzabibu ndazifyondera mu gikombe ca Farawo hanyuma ndagishira mu kiganza ciwe. Wosigura gute izo nzozi zanje? |
| Yosefu | Ni uku bisigura. Mu misi itatu Farawo azokurekura hanyuma usubire mu mabanga yawe uheze umuhe igikombe mu minwe nk'uko wahora ubikora igihe wari umusuku wiwe. Niwashika imbere, uranyibuka unkure muri iri bohero. |
| Umukevyi | Oh~urashoboye kurotora. Ndakwinginze wumvirize izanje. Ndi umusuku mukuru w'umwami. Mu nzozi zanje nabonye ibiseke bitatu vy'imitsima ku mutwe wanje. Muri vyo harimwo imikate yoroshe ya Farawo ariko mbona inyoni ziriko ziyirira ku mutwe wanje. |



85Page

| | |
|---|---|
| Yosefu | Uku niko bisigura. Mu misi Farawo azogusohora umanikwe ku giti |
| Umukevyi | Iki...iki????? |
| Uwuvuga | Inyuma y'imisi itatu, biba nk'uko Yosefu yabivuze. Ariko wa mukevyi w'umwami ntiyibuka Yosefu. uwo mukevyi ntiyigera yibuka Yosefu; yaciye amwibagira |
| | ................................................................................................................................ |
| Uwuvuga | Imyaka ibiri yose irarangira. Niho Farawo yarota inzozi zibiri ziramuzazanira. Mu ndoto za mbere Farawo abona inka indwi zinanutse z'imiguta zimira izindi nka ndwi z'inyambo zivyibushe. Mu nzozi zikurikira, Farawo abona imihurumbiri indwi y'ingano imeze ku giti kimwe, zitunungutse nziza. Maze mu nyuma zayo haca hamera iyindi mihurumbiri indwi y'ibirumbirane; yumishijwe n'umuyaga uvuye i burasirazuba. Iyo mihurumbiri indwi iyongoberanya yayindi itungunutse itengengeye, uko ari indwi. |
| Farawo | Mbega inzozi ziyobeye. Hamagaza abanyamareba n'abanyabwenge bose bo mu gihugu ca Egiputa |
| Uwuvuga | Ariko hari umuntu umwe gusa yari ashoboye kurotora izo nzozi. Ubwo nyene wa mukevyi mukuru w'umwami yibuka ingene Yosefu yamurotoreye inzozi igihe yari mw'ibohero. |
| Umusuku | Mwami wanje nyen'ingoma, ndazi umuntu w'umuhanga yoshobora gusigura izo nzozi zawe. |
| Uwuvuga | Umwami aca atumako Yosefu vyihuta. Yosefu yarafise ubwenge buva ku Mana kandi yari ashoboye gusigura inzozi za Farawo. |
| Yosefu | Mwami. Izo nzozi zose zisigura co kimwe. Imana yakweretse ivyo igiye gukora. Hagiye kuba imyaka indwi y'agahimbo n'umwimbu w'umusesekara mu gihugu ca Egiputa cose. Ariko rero hazokurikira iyindi myaka indwi y'ikigoyi; amapfa. Amapfa azotera igihugu cose kandi azoba akomeye. Vyoba vyiza mwegeranirije umwimbu mu bigega. Ivyo bikazoshobora gutunga igihugu muri ya myaka indwi y'amapfa. Nuko ukwiriye kugena abantu b'abahanga kugira ngo bitegurire iyo myaka indwi. |



86Page

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | **Farawo aratangara cane kuko ata muntu numwe yari bwab-one w'umunyabwenge nka Yosefu mu gihugu ca Egiputa.** |
| **Uwuvuga** | **Farawo avugira imbere ya Yosefu n'abasuku biwe bose .** |
| **Farawo** | **Biragaragara ko uri umuntu w'Imana kuko Imana yaguhaye kumenya ibi, nta munyabwenge akuruta.** |
| **Uwuvuga** | **Farawo yabira impeta yiwe yo ku rutoke ayambika Yosefu hanyuma amuha kugaba igihugu cose ca Egiputa. Imana yahaye Yosefu indoto zitangaje kandi ituma zimushikako. Imana yarungitse Yosefu muri Egiputa imucisha muri ivyo kugira ngo ikize abisirayeli. Muri ivyo vyose yabanye nawe.** |